Ikigo c'Uburundi kijejwe gutororokanya ibiharuro vy'ubuzima bw'igihugu bifatirwako mu gufata ingingo (INSBU)
*Ubuyobozi Bukuru*

# Itangazo ku bimenyesha makuru

Contacts
Direction Générale de l'INSBU

B.P
1156 Bujumbura
Burundi

Téléphone
+257 22 226 729

Fax
+257 22 222 635

e-mail
ins.burundi@gmail.com
Site Web
www.isteebu.bi

Date de publication
Le 12 Février 2024

Prochaine publication
Le 10 Mars 2024

Direction Technique de l'INSBU

Téléphone
+257 22 216 735

Service Technique ESPC

Téléphone
+257 22 275 482

## Igipimo c'ihindagurika ry'ibiciro mu Burundi vy'ivyankenerwa mu miryango :Ukwezi kwa Nzero 2024

Dufashe ko umwaka uhera muri Nzero 2024, dusanga ibiciro vyo mu Burundi vyiyongereye k'urugero rw'ibice mirongo ibiri na gatandatu n'igice kimwe kw'ijana (26,1%), ugereranije n'umwaka waheze mu kwezi kwa Nzero 2023. Twokwibutsa ko iryo hinduka ry'ibiciro ku masoko yo mu Burundi vyari vyiyongereye k'urugero rw'ibice mirongo ibiri n'indwi n'igice kimwe kw'ijana (27,1%) mumwaka uheze w'ibihumbi bibiri na mirongo ibiri na gatatu (2023).

Uko kwiyongera kw'ivyo biciro bikaba ryatewe ahanini n'ibiciro vy'ibifungurwa vyiyongereye kurugero gwa 34,9% , igiciro c'ibitoro kurugero rwa 22,8% hamwe nivyo bakoresha mugukinjika ibifungurwa (amakara) kurugero rwa 28,2%.

Tugereranije urugero rw'ico gipimo mu kwezi kwa Nzero 2023 no muri kuno kwezi kwa Nzero 2024, dusanga ibiciro vyiyongereye ku rugero rwa 17,6%. Tukibutsa ko ibiciro vyari vyiyongereye ku rugero rwa 20,1% mu kwezi guheze kwa kigarama 2023.

Ugereranije ibiciro vyo muri uku kwezi kwa mbere (Nzero 2024) n'ivyo mu kwezi guheze kw'icumi na kabiri (Kigarama 2023), urugero rw'ivyo biciro vyiyongereye ku gice kimwe n'uduce dutatu kw'ijana (1,3%), tukibutsa ko mu kwezi guheze kwa kigarama 2023 vyari vyiyongereye kuri urwo rugero nyene (1,3%).

| Umwaka | Ukwezi | Igipimo c'ibiciro muri rusangi | | Igipimo c'ibiciro bidahindagurika cane | | Igipimo c'ibiciro vy'ibifungurwa gusa | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | Ihinduka ugereranije n'amezi 12 aheze | Ihinduka ugereranije n'ukwezi Guheze | Ihinduka ugereranije n'amezi 12 aheze | Ihinduka ugereranije n'ukwezi Guheze | Ihinduka ugereranije n'amezi 12 aheze | Ihinduka ugereranije n'ukwezi Guheze |
| 2023 | Nzero | 20,3 | 3,4 | 18,8 | 0,5 | 27,0 | 5,1 |
| | Ruhuma | 21,5 | 1,3 | 19,0 | 0,1 | 29,1 | 1,9 |
| | Ntwarante | 23,2 | 4,6 | 19,5 | 2,0 | 32,1 | 6,6 |
| | Ndamukiza | 24,6 | 3,9 | 19,6 | 1,5 | 34,7 | 4,5 |
| | Rusama | 25,5 | 0,1 | 19,5 | -0,1 | 36,4 | -0,3 |
| | Ruheshi | 26,3 | -1,9 | 19,3 | 1,1 | 37,8 | -3,8 |
| | Mukakaro | 26,8 | 0,8 | 19,2 | 0,6 | 38,4 | 0,5 |
| | Myandagaro | 27,5 | 3,3 | 19,1 | 4,1 | 39,8 | 2,9 |
| | Nyakanga | 28,0 | 0,1 | 18,8 | 1,2 | 40,1 | -0,6 |
| | Gitugutu | 28,3 | 1,4 | 18,6 | 0,8 | 40,4 | 2,0 |
| | Munyonyo | 27,7 | 0,2 | 18,1 | 0,4 | 38,8 | 0,3 |
| | Kigarama | 27,1 | 1,3 | 17,6 | 0,9 | 37,2 | 1,1 |
| 2024 | Nzero | 26,1 | 1,3 | 17,1 | 0,6 | 34,9 | 1,3 |

**Umuyobozi mukuru fatakibanza w'ikigo INSBU.**

**Nicolas NDAYISHIMIYE**